VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

# Ivyo Abirabure bakenye mu bijanye n'amagara y'abantu

**Rusama 2024**

Isuzuma ry'umwaka wa 2024 ryerekeye Amagara y'abantu muri iyi Reta ni incamake y'ivyo tuzi ku bijanye n'amagara n'ukubaho neza vy'abantu i Vermont. Iri tororokanywa ritoya ry'amakuru rirerekana ivyo basanze ku bijanye n'ubuzima bw'abantu kavukire bo muri Vermont. Harimwo amakuru avuye mu yashobora kubonwa na bose hamwe no mu mahuriro y'ibiganiro n'ibiyago vyatanzwe n'abafatanyabikorwa bo mu karere hamwe n'abantu babifisemwo ubumenyi.

## Ivyagaragaye nyamukuru


- Naho abirabure b'i Vermont ari bake mu banyagihugu ba Vermont, ibiharuro **vyabo vyiyongereye incuro zibiri** mu myaka 15 iheze.
- Abanya Vermont bangana Ibice 24.2 kw'ijana biyitirira ko ari abirabure **baba mu bukene**, ugereranije n'ibice 10.3 kw'ijana vy'abanya Vermont b'abazungu. **Ukubura akazi** kuri hejuru incuro zibiri ku banya Vermont b'abirabure.

**"Nta kibazo gikomeye ku bantu birabura birukanwa cane kandi bagirirwa nabi n'ukwiyongera kw'ibiciro vyo kubaho kandi imishahara itiyongereye. Iyumvire ku bantu bakora ubuzi buhambaye bahembwa umushahara w'ibanze canke barenza gatoya ku mushahara w'ibanze. Mpembwa umushahara mwiza usumba umushahara w'ibanze, ariko sinshobora kuba Vermont. Sinshobora kwibaza ingene abantu bafise abana bakora ubuzi bahembwa imishahara y'ibanze babayeho."**

- Abanya Vermont b'abirabure bafise amahirwe angana incuro zibiri **yo kudashobora kugura ibifungurwa bikiri bishasha** kandi bafise amahirwe angana incuro zitatu **yo gusonza** ugereranije n'abazungu.
- Urugero rw'**abadafise aho baba** ruri hejuru cane mu banya Vermont b'abirabure.

| Abadafise aho baba barabiye ku rukoba | Abazungu | Abirabura | Abanya Aziya | Abasangwabutaka | Ubwoko bwinshi |
|---|---|---|---|---|---|
| **VT:Abantu batagira aho baba** | Ibice 88 kw'ijana | ibice 6 kw'ijana | Igice 1 kw'ijana | Igice 1 kw'ijana | Ibice 4 kw'ijana |
| VT: Abantu bose muri rusangi | Ibice 89 kw'ijana | Igice 1.4 kw'ijana | Igice 1.8 kw'ijana | Ibice 0.4 kw'ijana | Ibice 5.8 kw'ijana |

# Ivyo Abirabure bakenye mu bijanye n'amagara y'abantu




- Mu mwaka wa 2022, ibice 18 kw'ijana vy'abanya Vermont b'**abirabure bavuze ko bakenye canke bafise amagara mabi** ugereranije n'ibice 12 kw'ijana vy'abantu bose bo muri Vermont hamwe n'ibice 16 kw'ijana vy'Abanyamerika bose.

- Abanya Vermont b'abirabure bafise amahirwe angana hafi incuro zibiri **yo guteba kuronka ubuvuzi** kubera ibiciro (ibice 11 kw'ijana) ugereranije n'abazungu, atari abavuga iki Esupanyore (ibice 6 kw'ijana). N'incuro baja kwa muganga ni nkeya.

- **Ivangurwa Ry'amoko rigira ingaruka ku magara.** Urwaruka rw'abirabure rukorwako n' ivangura ry'ubwoko rushobora kugira ibimenyetso vy'**akabonge gakomeyе** mu myaka y'ubuyabaga no mu myaka ya mbere babaye abantu bakuze.

**"Kugerageza gusigurira umuganga w'umuzungu uko ukuvugwa umusi wose ku bijanye n'imishatsi yawe bimeze ni uguta umwanya, kandi bishobora no kwongereza ibibazo bikuruhisha umutwe."**

- Abanyeshuri b'**abirabure** bashobora kwumva bababajwe canke **bafise icizere** gike, kwibabaza babibona, kugerageza kwiyahura mu mwaka uheze. Bavuze **kandi** ko bibagora kuronka umuntu akuze mu mashure yabo bashobora kuvugana **no kubura ubufasha bakeneye** igihe bumva bababaye, bashavuye, bafise icizere gike, canke bafise ibibazo.
- Abanyeshure b'abirabure bafise ubushobozi ugereranije n' abanyeshure b'Abazungu batari abanya Hispaniya kubona umuntu ageramiwe mu buryo bw'**umubiri,akubiswe ,acumiswe,canke akaraswa mu kibano** cabo.( ibice 23 kw'ijana ugereranije n'ibice 14 kw'ijana).
- Muri 2021, ibice 74 kw'ijana vy'**ivyaha vy**'ubukozi bw'ikibi vyakorewe abanya Vermont birabura.

**Hari vyinshi abandi bantu badakwiye gucamwo kandi bigira ingaruka ku bushobozi bwawe bwo kwitwararika ubuzima bwawe...Birababaje cane.**

*Dufatanije na:*

C4BHI

## Ivyo turabirako:

- Ubusumbasumbane mu bijanye n'amagara ku rwego rw'akarereIgisata c'Amagara y'Abantu ca Kaminuza ya Wisconsin. Ibikoresho birimwo:
    - Amatohoza n'Amakuru vyerekeye Amagara y'Abantu vy'Igisata c'Amagara y'Abantu VT Department of Health Population
    - Ishami ry'Amakuru yo mu Gisata c'Inyigisho hamwe n'ivyegeranyo
    - Igitabu kijamwo amakuru y'ivya Kanseri i Vermont
    - Ikigo c'i Vermont c'Amakuru Yerekeye Ivyaha
    - Gukurikiranira Hagufi Amakuru Yerekeye Amagara y'Abantu n'Ibidukikije mu Gisata c'Amagara y'Abantu c'i Vermont
    - Ibiro vy'i Vermont vy'umutekano w'amabarabara makuru ya Reta.
    - Ibijanye n'incanco i Vermont
- Ibikorwa vy'ubutabazi,ikigega c'amakuru, Kaminuza ya Missouri. Ibikorwa vyo kwegeranya amakurubiva mu bisata vyinshi,harimwo n'ibitagarukira kuri:
    - Ibiro vya Rusansuma vya Reta Zunze Ubumwe za Amerika
    - Amatohoza Akorwa ku Bantu bo muri Amerika (ACS)
    - Ibigo Bijejwe Kurwanya no Gukinga Indwara (CDC)
    - Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika (USDA)
    - Ubushikiranganji bwo kwiyunguruza
    - Ibiro bikuru vy'Iperereza vya Amerika
- Ubuhinga bwo Kugenzura Ibishobora Gutuma haba Ingorane ziva ku Nyifato(BRFSS2021)
- Amatohoza yerekeye Ibituma haba Ingorane zijanye n'Inyifato mu Miyabaga
- Umutwe w'Amajambo V Block Grant FY23 Application/FY21 y'Amagara y'Abavyeyi bibarutse n'Abana Icegeranyo c' Umwaka
- Igenzura rybwmu miryango ya Vermont rya 2021
- Ibiganiro ku bijanye na Covid: Ivyavuye mu bushakashatsi vy'ibanze hamwe n'impanuro Umugambi, REJOICE, Kigarama 2020